Sénat

INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N°076 Myandagaro 2014

Abakenguzamateka baritwarariritse ibibazo bihanze intara ya Makamba

Nk'uko vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, igihe yariko yugurura inama y'iminsi ibiri yahuje abakenguzamateka n'abajenama b'amakomine y'intara ya Makamba, ku magenekerezo ya 7 na 8 Myandagaro 2014, abarundi muri rusangi, na cane cane abanyamakamba, bategerezwa guhagurukira ibibazo bijanye n'irwirirana ry'abantu, igabanuka ry'umwimbu hamwe no gukingira ibidukikije.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'ivyegera vyiwe, icegera c'uwuserukira ishirahamwe AWEPA n'abandi banyacubahiro bari bitavye ivyo bikorwa

Abitavye iyo nama yabereye mw'Ihoteri Auberge Saint-Etienne yo ku murwa mukuru w'intara ya Makamba, baganiriye ivyerekeye gutsimbataza igiporisi cegereye abenegihugu, akamaro k'abajenama ba komine mu gutsimbataza intwaro ibereye, kurwanya igiturire no gusesagura amatungo ya Reta, gukingira ibidukikije, kubumbatira amahoro n'umutekano, imigambi irangurwa n'ikigega co guteza imbere amakomine FONIC.

Inyuma y'iminsi ibiri abakenguzamateka n'abajenama b'amakomine y'intara ya Makamba baca irya n'ino ingorane zihanze iyo ntara, basanze bigishoboka ko intara ya Makamba ibandanya iba ikigega c'igihugu mu gihe abanyamakamba bokurikiza impanuro zitandukanye zavuye muri iyo nama.

Iryo huriro ryari ryateguwe n'Inama Nkenguzamateka ifadikanije n'ishirahamwe ry'abashingamateka n'abakenguzamateka ba Buraya bashigikiye Afrika, AWEPA.

Ibikorwa vy'iyo nama vyari vyitabwe kandi n'ivyegera vy'umukuru w'Inama Nkenguzamateka, abakenguzamateka, abaserukira amashirahamwe yigenga, abajenama b'amakomine hamwe n'abaserukira intwaro mu ntara ya Makamba.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahamagarira abanyamakamba kwijukira iterambere

Mu rugendo rw'iminsi itatu yagize mu ntara ya Makamba, kuva kw'igenekerezo rya 6 gushika ku ry'8 Myandagaro 2014, umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yasavye abenegihugu bo mu ntara ya Makamba kwigana akarorero keza k'abarimyi n'aborozi ba kijambere bo muri ako karere, yongera ahimiriza abavyeyi kurungika abana kw'ishure.

Kw'igenekerezo rya 6 Myandagaro 2014, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana ari kumwe n'ivyegera vyiwe bibiri hamwe n'abakenguzamateka, yagendeye abarimyi-borozi bo mu makomine ya Mabanda na Kayogoro.

Nyakwubahwa Ntisezerana agabira inka ya kijambere umurimyi-mworozi wo muri komine Kayogoro

Muri Komine Mabanda, yagendeye umurimyi-mworozi wa kijammbere yahungutse ava mu gihugu ca Tanzaniya, William Nsavyimana, wo ku mutumba Rutundwe wa zone Kayogoro afise itongo rinini ry'ingundu z'ibitoke 1.800 hamwe n'inka za kijambere 6. Muri komine Kayogoro na ho, umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'abo bari kumwe bagendeye umutumba Musasa wa zone Bigina aho umurimyi mworozi, Josué Nijimbere, afise itongo ry'ibitoke ry'amahegitari 9 n'ibiti vy'ikawa 4.000.

Mu gushimira abo barimyi borozi, umukuru w'Inama Nkenguzamateka yabagabiye inka imwe imwe, aca asaba abenegihugu bo muri iyo micungararo gufatira kuri ako karorero keza mu kurwiza umwimbu. Abo barimyi-borozi barashimiye cane Inama Nkenguzamateka kuri iyo ngabire, baca bemera ko na bo bazoha abenegihugu babikeneye imivyaro y'ibitoke ku buntu.

Kw'igenekerezo ry'8 Myandagaro 2014, imbere yo kurangiza urugendo rwiwe mu ntara ya Makamba, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yifadikanije n'abenegihugu bo ku mutumba Nyabitabo, zone Kayogoro, muri komine Mabanda mu bikorwa vyo gusiga isima mu birasi bitatu vy'ishure nshingiro.

Kuri iyo mitumba itatu yagendeye, umukuru w'Inama Nkenguzamateka yahimirije abenegihugu kubandanya biteza imbere, kubana mu mahoro, kuvyara ku rugero,

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka mu bikorwa rusangi vyo kwubaka ishure nshingiro ku mutumba Nyabitabo wo muri komine Mabanda

kwitegurira amatora yimirije mu mutekano hamwe no kurondera kare karangamuntu kazotuma biyandikisha mu matora yimirije. Ivyo bikorwa vyitabwe n'abaserukira intwaro mu ntara ya Makamba, abakozi ba Reta hamwe n'abanyagihugu isinzi bo muri iyo micungararo.

Apollinaire Ruhanga

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka za Misiri n'iz'Uburundi zigiye gukomeza imigenderanire

Uwahoze aserukira igihugu ca Misiri mu Burundi, Attia Abou Elnaga, yavuze ko ashima imigenderanire myiza isanzwe iri hagati y'ivyo bihugu, kandi ko izobandanya itsimbatazwa, na cane cane ubucuti n'ugufashanya hagati y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'igihugu ca Misiri n'iz'Uburundi bitezwe imbere.

Ivyo yabishikirije inyuma y'umubonano yahawe n'umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa

Nyakwubahwa Ntisezerana na Attia Abou Elnaga bishura ibibazo vy'abamenyeshamakuru

Gabriel Ntisezerana, kw'igenekerezo rya 26 Myandagaro 2014, igihe yari aje kumusezera mu nyuma y'imyaka ibiri yari iheze ari mu Burundi. Yamenyesheje ko Uburundi na Misiri vyari bisanzwe bifashanya mu bisata vy'uburimyi, indero, amagara y'abantu, umuyagankuba n'ibindi.

Abo bategetsi baraganiriye kandi ingene hotezwa imbere ivyo gufashanya mu ntumbero yo guteza imbere ivyo bihugu, ivyo mu mugabane wa Afrika na cane cane ibisangiye amazi y'uruzi Nil.

Nyakwubahwa Ntisezerana yarashimiye uwo mushitsi ingene yaranguye neza imirimo yari ajejwe mu Burundi. Yongeye amumenyesha ko ikibazo cerekeye itunganywa neza ry'amazi y'uruzi Nil kizotora umuti nyawo kandi wumvikanyweko n'abo vyega bose.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarangije amwipfuriza imirimo myiza mu mabanga yandi azoshingwa, aca amusaba kubandanya avugira neza Uburundi.

Abakenguzamateka basaba Ubushikiranganji bw'amashure y'intango n'ayisumbuye gutunganya neza igisata c'indero

Mu ntumbero yo guteza imbere igisata c'indero, umushikiranganji w'inyigisho z'amashure y'intango, ayisumbuye, imyuga no kwigisha abakuze, umupfasoni Rose Gahiru, yarishuye ibibazo vy'abakenguzamateka vyerekeye ico gisata, kw'igenekerezo rya 21 Myandagaro 2014. Bimwe muri ivyo bibazo bijanye n'abigisha badakwiye, kubakarihiriza ubwenge, uburaro bw'abanyeshure no guteza imbere inyigisho.

Ku vyerekeye abigisha, yamenyesheje ko abashika 2.000 bazohabwa akazi muri uno mwaka. Abo bigisha bazokwiragizwa mu makomine yose uko ari 129, ariko amashure akenye abigisha gusumvya ayandi ni yo azokwitabwaho cane.

Ku bijanye n'ingene abo bigisha bashasha bashirwa mu mashure kanaka, umushikiranganji Gahiru yavuze ko hashinzwe umurwi urimwo abaserukira amashirahamwe y'abigisha bazofasha gutunganya ico gikorwa hisunzwe igitigiri c'abakenewe kuri buri shure.

Ku vyo gukarihiriza ubwenge abigisha, umupfasoni Rose Gahiru yashikirije ko mu buruhuko bwo mu ci hakarihishirijwe ubwenge abahinga 860 mu vy'inyigisho, na bo bakaba bariko baraha ivyigwa nkarishabwenge abigisha bashika 10.169.

Abakenguzamateka bumviriza insiguro z'umushikiranganji Rose Gahiru

Umushikiranganji Rose Gahiru yishura ku bibazo vy'abakenguzamateka

Ku kibazo cerekeye uburaro bw'abanyeshure, yavuze ko ubushikiranganji bwatunganije ico gikorwa ku buryo abahabwa indaro bangana n'uburyo Reta ifise kuko ivy'uburaro bisaba uburyo bwinshi.Ati: "Abanyeshure bangana n'ibice 15 kw'ijana baba mu ndaro bakoresha imiriyaridi 12 z'amafaranga y'amarundi mu gihe abandi bangana n'ibice 85 kw'ijana ataco bayaronkako, ari co gituma ivy'uburaro ku mashure vyohava bukebuke".

Abakenguzamateka basavye abajejwe inyigisho mu mashure kwitegurira neza itangura ry'amashure mu kurondera ibikoresho vy'ishure bikwiye, bongera babipfuriza kubandanya batunganya neza umugambi w'inyigisho y'abanyeshure bose, baca bemera ko bazokwama babashigikira nk'abatowe n'abenegihugu mu ntumbero yo guteza imbere igisata c'indero.

Benoît Ngendakumana

Ibikorwa Inama Nkenguzamateka yaranguye mw'isasa rya Ruheshi birashimishije

Kw'igenekerezo rya 29 Myandagaro 2014, Inama Nkenguzamateka yarasozereye ibikorwa vy'isasa risanzwe ry'ukwezi kwa Ruheshi.

Mw'ijambo ryashikirijwe na Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yamenyesheje ko Inama Nkenguzamateka iriko isozera ivyo bikorwa mu gihe inzego zitorewe n'abenegihugu buca zihimbaza imyaka ine zimaze.

Yashikirije kandi ko ibi bikorwa bibaye haciye iminsi mike umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura

amatora utangaje ibibanza vy'iyandikiro ku matora yo 2015. Yaciye aboneraho akanya ko gukeza Reta y'Uburundi ku ntambwe ishimishije mu bijanye no kwitegurira ayo matora. Yarakeje kandi abakenguzamateka kuko bemeje kare ibwirizwa rizoyagenga.

Mu bikorwa vyaranze isasa rya Ruheshi 2014, Nyakwubahwa Ntisezerana yamenyesheje ko hizwe integuro z'amabwirizwa icumi, Inama Nkenguzamateka yagenzuye ibikorwa vya Reta mu gutegura ibibazo bitandukanye vyishuwe n'abashikiranganji indwi, abakenguzamateka baremeje abaja guserukira Uburundi,

Abakenguzamateka n'abatumire b'iteka bumviriza ijambo ry'umukuru w'Inama Nkenguzamateka

hamwe n'abategetsi bo mu rwego rw'abacamanza na buramatari w'intara ya Muyinga. Barongeye kandi baragendera intara ya Makamba.

Nyakwubahwa Ntisezerana ashikiriza ijambo ryo gusozera ibikorwa vy'isasa rya Ruheshi

Mw'ijambo ryiwe, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yahamagariye ababafasha Uburundi kwitanga kugira amatora azotunganywe neza. Ku bijanye n'umwaka w'amashure ugiye gutangura, Inama Nkenguzamateka yahamagariye Reta kuronsa amashure ibikoresho hakiri kare.

Ivyo birori vyari vyatewe iteka n'abaserukira ibihugu vy'abo mu Burundi, abashikiranganji, abakozi bakuru bakuru bo mu nzego zitandukanye za Reta n'abandi banyacubahiro batandukanye.

Clotilde Kampimbare

Abakenguzamateka baremeje itegeko rizotuma ikomine yose ironswa imiriyoni 500 buri mwaka

Mw'itegeko rishasha rigenga amakomine ryemejwe n'Inama Nkenguzamateka ku wa 29 Myandagaro 2014, amakomine agiye kuronswa imiriyoni 500 z'amafaranga y'amarundi (500.000.000 Fbu) zizoza ziyongera ku mafaranga amakomine yahora atoza.

Ayo mafaranga azotangwa na Reta azotuma amakomine ashobora kwiteza imbere mu bijanye n'inyubako rusangi, indero, amagara y'abantu, amabarabara, umuyagankuba, amazi, n'ibindi.

Iryo tegeko kandi rigabura igisagara ca Bujumbura mu makomine atatu. Komine Muha igizwe n'amazone ya Kanyosha, Kinindo na Musaga. Umurwa mukuru w'iyo komine uzoba mu Kanyosha. Komine Mukaza izoba ifise umurwa mukuru mw'i Rohero. Iyo komine igizwe n'amazone ya Rohero, Bwiza, Nyakabiga na Buyenzi.

Iyindi komine ni Ntahangwa igizwe n'amazone ya Cibitoke, Gihosha, Buterere, Kamenge, Kinama na Ngagara. Izoba ifise umurwa mukuru mu Kamenge.

Iryo tegeko rishasha, rizoja mu ngiro kuva mu mwaka uza w'2015, ririmwo n'izindi ngingo zizotuma amakomine y'Uburundi ashobora kwiteza imbere bimwe biboneka yongere yigenge vy'ukuri.

Apollinaire Ruhanga

Inama Nkenguzamateka

Uruganda rw'ikinyamakuru

Umukuru w'iyandikiro:
Apollinaire Ruhanga

Abanditsi:
Benoît Ngendakumana
Clotilde Kampimbare

Amasanamu:
Prosper Bizimana

Aho gisohorerwa:
IMOBU,Tél.: (+257) 22 222214